**CONFERENCE**
**DES EVEQUES CATHOLIQUES**
**DU BURUNDI**

**Secrétariat Général**

# INYIGISHO Y'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B'I BURUNDI ISOZERA YUBILE Y'IMYAKA 125 INKURU NZIZA ISAMIRANA MU GIHUGU CACU

## « DUSHINGIYE KURI EKLEZIYA YO HAZIKO, DUKOMEZE INGABIRANO Y'UKWEMERA, UKWIZIGIRA N'URUKUNDO TWARONSE KUBERA INKURU NZIZA TWAMENYESHEJWE »

« *Nayo jewe n'urugo rwanje tuzokorera Umukama* » (Yozuwe 24, 15)

Bavukanyi dusangiye ukwemera eka namwe mwese Imana ikunda mukayikundira,

Turabaramukije : nimusangwe inema y'Umukama wacu Yezu-Kristu, urukundo rw'Imana Data n'ingabirano ya Mutima Mweranda[1].

Mu gusozera uyu mwaka wa Yubile y'imyaka 125 iheze Inkuru nziza ya Yezu-Kristu ishitse mu Burundi, twebwe Abungere banyu ba Ekleziya Gatolika tuzanywe n'ukubandanya gusangira na mwe ako kanyamuneza, dutera impundu y'ugukenguruka twongera dushimangira ivyiza iyi Yubile yadusigaranye kugira bidufashe kwerekeza kuri kazoza.

### 1. Ivyiza twagabanye ni vyinshi

1. Turakenguruka imbere ya vyose, ivyiza Imana yatugiriye mw'ibatisimu twaronse turi benshi, tugaterwa iteka ry'ukwitwa abana bayo[2], tukaba ibiremwa bishasha[3], abavukanyi ba Yezu Kristu basigaye bagize Umuryango umwe w'abavukanyi muri Ekleziya.

2. Mu gukenguruka ubwo bucuti bushasha bwavyawe n'ibatisimu, turanakenguruka n'ingene Ijambo ry'Imana twamenyeshejwe ryatuzaniye imico mishasha myiza kandi itari mike mu gihugu. Abakristu benshi barafashe nkama ubuzima bushasha baronse, baremera guhinduka mu vyiyumviro, mu nyifato no mu bikorwa, barashingira intahe ubukristu bwabo muri vyose na hose, no mu bihe bigoye igihugu cacu cagiye kiracamwo.

3. Turakenguruka abitanze bose kugira ivyo vyiza bidushikire. Abo nabo ni Abamisiyonari bose, duhereye ku bavuye mu mahanga ya kure be n'abavukagihugu bahavuye baboneka. Ntitwokwibagira n'ubutumwa bw'agatangaza bw'abamenyeshamana bagendana n'abamisiyonari, bakemera kwimukana n'ingo zabo, bariko bigura ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu-Kristu.

---

[1] Raba 2 *Abanyakorenti* 13, 13.
[2] Raba 1 *Yohani* 3, 1.
[3] Raba 2 *Abanyakorenti* 5, 17.

4. Mur'uyu mwaka wa Yubile, twashatse gukenguruka tuzirikana uruhara rw'urugo rukristu mu buzima bw'igihugu n'ubwa Ekleziya. Icivugo twashingiyeko ni iki: « ***Twijukire ubutumwa bw'ingo : urugo rukristu rube Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza*** ». Mu madiyoseze hararanguwe ubutumwa butari buke nk'uko mwebwe nyene mwabibonye aho muherereye kandi buzobandanya.

5. Ku rwego rw'igihugu naho nyene, ubutumwa bwarakozwe. Inama y'Abepiskopi yaratunganije ihwaniro rya mbere ry'ingo zivuye mu maparuwase yo mu madiyoseze yose, mbere no mu ma Ekleziya yo mu bihugu bibanyi. Nka hose baje barongowe n'abungere babo. Izo ngo zamaze imisi ine ziri hamwe, zikurikirana inyigisho. Zimwe muri zo zarahawe akaryo ko gushinga intahe y'ukugene zigize Ekleziya yo haziko.

6. Iyo ntahe bashinze irerekana ingene, kuva Ekleziya igitangura mu Burundi, ingo z'abakristu zagize uruhara ruboneka mu kumenyesha Ijambo ry'Imana. Iruhande y'umwete w'igisabisho co mu rugo ca minsi yose, barakoze n'ibikorwa biboneka, nk'ugutora abigishwa bashasha, ukurungika abana babo mu masomero, mu mihari no mu migwi y'ubutumwa kuva bakiri bato ; uguhanura ababatijwe bahunye n'ibindi. Izo ngo nyene zaritabana umwete ibikorwa vyo kwubaka amasengero, amashure n'insago z'abamisiyonari. Ni muri izo ngo nyene habonetse abaja kuba abasaserdoti, abihebeyimana n'abaja kumenyesha Inkuru nziza mu gihugu no mu mahanga. Ibikorwa vyiza bene ivyo n'ubu biracabandanya kandi hari n'ibindi bishasha.

**2. Intambamyi zigeramiye ubutumwa bw'ingo.**

7. N'aho ivyo dushima ari vyinshi, haracibonekeza ivyiyumviro, inyifato n'ingendo bikibangamiye urugo mu bihe vya none. Izo ntambamyi ziri mu migwi ine mikuru mikuru.

8. Hari intambamyi zifatiye kw'ihindagurika ry'imico y'abantu : imico n'imigenzo myiza yaremesha urugo yagiye iratituka. Twaciye tumera nk'igiti kitagira imizi n'ishingiro, tugahurumbira intumbero n'inyifato bije biva mu mahanga ngo ni uko ari bishasha, ntitumenye ko ababituzanira batama bariko baraturonderera ineza gusa.

9. Hari intambamyi zifatiye k'ubukene bwo mu rugo bushobora gutuma abubakanye, iyo batavyifashemwo neza, batanako umwikomo canke ntibabe bacubahana. Biranashika kenshi ko hagira umwe aja kuronderera kure igitunga urugo, navyo bigatuma ca kiyago gikomeza urugo kitakihabaye, indero y'abana ntibe ikibaye iya babiri, rimwe na rimwe abubakanye bakikekana mbere bikanashika ko habaho uwurenga ibigo.

10. Hari intambamyi zifatiye k'ubujuju no k'ukwemera guke. Hari abaterwa n'amagorwa bakirukira ibintazi aho kwizigira Imana, hakaba n'abubakanye bama mu nduru kubera ko batavyaye canke batavyaye umuhungu.

11. Hari intambamyi zikomoka k'ukutitegurira neza ukwubaka canke ukudategera neza isakramentu ry'ukwubaka rukristu ; ugasanga abantu binjiye mur'iryo banga batabanje kuzirikana neza, bagafata umunsi w'ubugeni nk'ibirori gusa canke nk'uguheza ibwirizwa. Ntibamenye ko ari umuhamagaro n'ibanga vyerekeye ubuzima bwose kandi ko umugabo n'umugore baba babaye umwe, ku rugero rw'ubumwe bwa Kristu na Ekleziya.

## 3. Twibukanye akaranga ka Ekleziya yo haziko yakira ikongera ikamenyesha Inkuru nziza

12. Ukwubaka rukristu turiko turavuga, ni rimwe mu masakaramentu indwi y'Ekleziya Gatolika. Iryo sakaramentu ry'ukwubaka rukristu rishimikiye ku ndagano n'isezerano ry'urukundo n'ugusangira ubuzima abubakana bagiriranira, hanyuma Yezu akazishemeza, akazikirurutsa n'umuhezagiro wiwe akazigira isakaramentu, ni ukuvuga ikimenyetso kizima We nyene acako mu kubakiza bo nyene ubwabo no mu kubakiriza ababo n'incuti zabo, abari hafi n'abari kure, abo bazi n'abo batazi. Ni vyo Tobiya yavuga hamwe yabanza gusenga kumwe na Sara wiwe ati : « Mukama Mana y'abasokuru, mukwabira umwigeme wa Israeli (…), nshaka gushinga urugo bazohezagiramwo izina ryawe uko inzaruka zizokurikirana »[4].

13. Ukubaka rukristu kandi, ni isakaramentu ndangurabutumwa mu muryango kumwe n'Ubusaseredoti. Nkako urugo rukristu « rufise ubutumwa bwo kurwanira, kumenyesha no gukwiza urukundo nk'urusayangane ruzima n'isangizwa nyakuri ry'urukundo Imana ifitiye umuryango w'abantu, n'iry'urukundo Umukama Yezu Kristu afitiye Umukunzi wiwe Ekleziya »[5].

14. Mw'isakramentu ry'Ukwubaka rukristu, umugabo n'umugore bunga ubumwe mu rukundo rwuzuye ruranga rwa rukundo Yezu akunda Ekleziya. Ubwo bumwe bushingiye ku rukundo hagati y'umugabo n'umugore, iyo buhimbajwe bwa sakramentu rya Yezu Kristu, nibwo buvukamwo Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza y'urukiza rw'abantu bose. Iyo Ekleziya yo haziko ibonekera mu gutagatifuzanya kw'abubakanye, mu gutanga ubuzima, mu kureresha abana ukwemera, mu gutunganya isi mu mugambi w'Imana. Urugo nk'urwo rukomeye mu kwemera, ubwarwo rubera akarorero izindi ngo, rukongera rugashobora n'ukuva hasi rukamenyesha Inkuru nziza mu yindi mihingo, mu mvugo no mu ngiro. Iyo Ekleziya yo haziko igizwe n'urugo, ifatira akarorero ku rugo rweranda rw'i Nazareth rwakiriye Umukiza, rubana na We, rurongera rumushikiriza abantu bose.

## 4. Twigire inama y'ingene tuzobandanya ubutumwa bwo kumenyesha hose Inkuru nziza

15. Inyuma y'imyaka 125 tumenyeshejwe Inkuru nziza y'urukiza, ntahandi dushingira mu kubandanya twubaka Ekleziya muryango, atari kuri Kristu mu kumumenya, mu kumukunda no mu kumugendanira[6], dushimangira za ngabirano ziranga ubuzima bw'umukristu arizo ukwemera, ukwizigira n'urukundo. Bisubiye ntitwigere duhengeshanya kwimika Kristu « Mahoro yacu »[7], tumukundire atugire amayogi yo kurekuriranira mu gihugu cacu, twubake umuryango w'amahoro ashingiye ku kuri, ubutungane, ikigongwe n'ugusubiza hamwe. Ivyo vyose tukabikora dushimikiye cane cane ku ngo no ku mibano rukristu.

---

4 *Tobito* 8,1-12.
5 Yohani Paulo II, *Familiaris Consortio* n° 17.
6 Raba Yohani Paulo II, *Novo Millennio Ineunte*, n. 29.
7 *Abanyefezi* 2,14.

**4.1. Abarongoye Ekleziya**

16. Twebwe Abungere banyu tugiye gukomeza no kurushirizaho gushigikira igisata kijejwe ubutumwa bw'abalayike, ingo n'ubuzima co mu Nama yacu no mu madiyoseze, kugira kibandanye gushira mu ngiro ivyo twiyemeje[8].

17. Tugiye kandi gutanga intumbero izotuma haba ukurushirizaho gukorana bwa runani hagati y'imigwi yose ikora ubutumwa bwerekeye ingo n'imiryango muri Diyoseze canke muri Paruwase, ni ukuvuga : imihari y'abubatse rukristu, imiryango y'abihebeyimana ifise ako karangamutima n'akarangabutumwa, imiryango mishasha irimwo abihebeyimana n'abakristu balayike yavukiye ubwo butumwa ; kugira twese dusenyere ku mugozi umwe, kanatsinda dusangiye kwubaka umuryango umwe.

**4.2 Abarongoye igihugu**

18. Mu gihugu cacu, birahimbaye kubona hari Ibwirizwa nshingiro riha ikibanza gihambaye ingo n'imiryango kuko rivuga riti: « *Urugo ni rwo shingiro kamere ry'igihugu. Ukwabirana ni yo nkingi yarwo yemewe n'amategeko. Reta irakingira bidasanzwe ingo n'imiryango* »[9]. Igisigaye rero ni uko abaramutswa igihugu bobandanya bitwararika gukingira ingo n'imiryango, hakama hatorwa amategeko yubahiriza imico n'imigenzo myiza y'igihugu cacu kandi adateye kubiri n'umugambi w'Imana ku rugo.

**3.3 Ingo z'abakristu**

19. Abashaka kwubaka rukristu n'abubatse rukristu nibamenye ko Ukwubaka rukristu ari umuhamagaro w'Imana nk'iyindi mihamagaro iri muri Ekleziya. Nk'uko iyindi mihamagaro y'Imana yitegurirwa bikwiye, n'abubakana rukristu nibabanze bavyitegurire bikwiye. Vyongeye, kugira ngo uwo muhamagaro utere imbere, abubakanye bategerezwa kuguma bavoma inkomezi mw'Ijambo ry'Imana no mu masakramentu.

20. Nkuko Umuvyeyi wacu Papa Fransisko avyigisha ati « akanyamuneza k'urukundo mu ngo ni ko kanyamuneza k'Ekleziya »[10], natwe turabibukije ko intahe mushingira akanyamuneza muterwa n'urukundo mufitaniye, ari ubutumwa kirumara mu gihugu cose. Ako kanyamuneza gatanga umwizero ku muntu uwariwe wese, cane cane ku rwaruka rufise umuhamagaro wo gushinga izabo.

21. Turabasavye mubandanye mwitwararika ukurondoka kubereye kwisunga umugambi w'Imana kandi ntimwigere mudohoka mu kwakirana urukundo abana mugabirwa n'Imana, mu gukingira ubuzima bwabo bwose kuva bagisamwa, mu kubarerana urukundo, no mu kubaha indero runtu na rukristu ibafasha kwitegurira kazoza keza mu muvukano udakumira.

22. Nimumenye ko "*ubugirigiri bugira babiri*", mumenyere gushingira intahe urukundo rwanyu mu bandi : mu kwitaba ubutumwa n'ibikorwa vy'imibano mito mito y'Abakristu, mu kwijukira imihari n'imigwi y'ubutumwa, amashirahamwe meza yo kwiteza imbere. Ivyo vyose bizobaha akaryo ko gusengera hamwe n'abandi, ko gutabarana, ko kumenya kwengengana no kurekuriranira. Gurtyo muzoba muriko murashinga rwa runani rw'ingo

---

[8] Raba *Ijambo ry'inama y'Abepiscopi Gatorika b'i Burundi ryerekeye gukomeza ubutumwa bw'ingo n'imiryango*, ryo ku wa 10 Munyonyo 2021, urup 4-5.
[9] *Ibwirizwa nshingiro rya Repuburika y'Uburundi,* ryo kw'igenekerezo rya 7 Ruheshi 2018, ingingo ya 30.
[10] Papa Fransisiko, *Amoris Laetitia*, n.1.

Ekleziya ihimiriza, rubafasha gushigikirana no kurangura ubutumwa munonokewe[11]. Mu ncamake, nimwiyunge hagati yanyu, mukomeze ubumwe n'indongozi zanyu muri Ekleziya muryango, ni ho muzoronka inkomezi n'akanyamuneza k'ukwama mugira muti « Jewe n'urugo rwanje, tuzokorera Umukama »[12].

**3.4 Urwaruka**

23. Rwaruka dukunda, muri ingingo za Kristu kuva mukibatizwa, muri n'abuzukuru b'aberanda. Ntimurekuriwe rero kugwana mu nda nk'abatazi Imana[13]. Nimufate umwanya wo kwitegurira neza ibanga ry'ukwubaka rukristu mu rukundo no mu kuri, mwakire mwongere mukunde inyigisho zibaha umuco w'umuhamagaro wanyu. Nimwumvire impanuro n'akarorero keza muhabwa n'abavyeyi hamwe n'abababoneye izuba.

24. Inkwano, uburemere bw'imanza n'izindi ngorane ntibibahahamure ngo bibabuze guca mu nzira nziza y'isakaramentu ; nimwegere abarongoye Ekleziya n'abavyeyi banyu bababafashe gutora intumbero ibereye. Abo vyagoye na bo nyene, ntibihebure, bamenye ko Ekleziya ari Umuvyeyi, iguma yuguruye amarembo yayo ngo ibafashe gusubiza ibintu mu buryo, gurtyo basubize hamwe n'Imana n'umuryango w'Ekleziya.

**Ugusozera**

Bavukanyi,

25. Dushishikara dukenguruka ingo nziza z'abakristu zigaragaza akaranga ka Ekleziya yo haziko, imenyesha Inkuru nziza. Ntitwibagira gusabira ingo ziri mu ngorane zinyuranye. Ahasigaye, ntidupfishe ubusa ingabirano twaronse mu kwemera, duhimbarwe ahubwo n'ukuba twaramenye Kristu, ntitumwigungane, tunezerwe n'ukumumenyesha kandi duhimbarwe n'uko abandi bamumenya, kuko twoba turwiciriye tutamenyesheje Inkuru nziza[14].

Turangije tubipfuriza mwese Yubile nziza.

Yezu, Mariya na Yozefu, Muryango Mweranda w'i Nazareti, dusabire.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 25 mukakaro 2023

<u>**Menya neza**</u>: Iyi Nyigisho nisomwe mu Nkuka y'Imisa yo ku musi w'Imana igenekerezo rya 13 myandagaro 2023.

---

[11] Raba *Familiaris Consortio*, n.72
[12] *Yozuwe* 24, 15.
[13] Raba *Tobito* 8,7.
[14] Raba 1 *Abanyakorenti* 9,16.

Abungere b'Ekleziya Gatolika y'i Burundi:

✠ Bonaventura NAHIMANA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Gitega,
ahagarariye Diyosezi ya Rutana,
akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika
b'i Burundi

✠ Salvatori NICITERETSE
Umwungere wa Diyosezi ya Bururi
akaba n'Icegera c'Umukuru w'Inama
y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

✠ Gerevazi BANSHIMIYUBUSA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Bujumbura

✠ Buraziyo NZEYIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ruyigi

✠ Joriji BIZIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ngozi
ahagarariye Diyosezi ya Bubanza

Protazi NKURIKIYE
Icegera c' Umwungere wa Diyosezi ya Muyinga